Gusubiza amatungo ya Leta biciye mu gisata c'ubuvuzi hamwe n' Ibikorwa co kimwe n'Infashanyo vy'Igihe Kirekire

Estate Recovery Repaying the State for Medical and Long-Term Services and Supports

Ugusubiza ubutunzi ni ukuvuga iki?

- Itegeko rya Leta (ibice RCW 41.05A na 43.20B) risaba ko umutungo wawe wifashishwa n'Igisata c'Ibikorwa vy'Imibano n'Ukubungabunga amagara y'abantu (DSHS) hamwe n'Ikigo citaho Amagara y'abantu (HCA) mu gishigo c'amafaranga yo kuriha ibikorwa bimwebimwe vy'ubuvuzi hamwe n'ibikorwa wakorewe mu kiringo kirekire hamwe n'infashanyo (LTSS) waronse.

Umutungo ni iki?

- Ikintu cose hamwe n'ibindi vyose ufise canke ufitiye uburenganzira butegekanijwe n'amategeko waba uri muzima canke utakiriho. Ivyo birimwo ivy'ubutunzi butimuka hamwe n'ubutunzi bwimuka nk'ibi:
  - Amazu, ubutaka;
  - Amakonti yo muri banki;
  - Ivyo utunze mu nzu, ivy'ubutunzi;
  - Ivy'umuntu ku giti ciwe; kandi
  - Itunga udafiseko uburenganzira, amatungo atimuka.

Ni igiki kitari mu vyo ufise?

- Itunga canke ibindi bintu udafise canke udafise inyungu zitegekanijwe n'amategeko igihe upfuye. Nk'akarorero, umutungo canke ibindi bintu vy'abavyeyi bawe gusa, uwo mwubakanye, uwo mubanye mu rugo yanditswe na Leta canke umwana wawe.

Ni ibihe bintu bitarabwa n'iyi ngingo ijanye n'ugusubizwa ivy'ubutunzi?

- Ivy'umuryango bimwebimwe.
  - Itegeko WAC 182-527-2746 (6) riradondora amategeko yihariye ku Banyamerika b'Abahindi n'Abanya Alaska. Iryo tegeko ritanga urutonde rw'ibintu n'ibintu vy'Abanyamerika b'Abahindi hamwe n'Abanyamerika b'Abanya Alaska bitari muri ibi bishobora gusubiranwa. Ryasohotse kuri https://app.leg.wa.gov/WAC/default.aspx?cite=182-527-2746.
  - Umugambi w'ubutungane wo mu Buraruko bushira Uburengero ufise ikinyamakuru ku rubuga rwa WashingtonLawHelp.org risobanura iryo tegeko ryitwa "Abanyamerika b'imvukira hamwe n'Abanyamerika b'imvukira za Alaska bafise imitungo: Ivyo gusonerwa ku bijanye n'ugusubirana ivy'umutungo": Estate recovery exemptions for Native Americans and Alaska Natives | Washington Law Help.
  - Mu gihe ukeneye gufashwa mu kuronka ikopi y'iri tegeko, uraheza ukitura abajejwe kwakira ibibazo mu biro vy'igisata ca DSHS.
  - Mu gihe ufise ibindi bibazo ku bijanye n'ugusubirana amatungo ku banyamerika b'Abahindi hamwe n'Abanya Alaska, uraheza ukitura Ibiro bijejwe kwishuza Office of Financial Recovery kuri 800-562-6114.
- Hariho amahera y'indishi ya Leta itanga; kandi
- Itunga rikingiwe n'itegeko rigenda ibijanye n'ubuvuzi buba bwatanzwe mu kiringo kirekire.

None iyo ata mutungo ufise igihe upfuye biraheza bikagenda gute?

- Nta n'ugusubirana kw'amatungo kubaho.

Ni ayahe amafaranga y'ubuvuzi hamwe n'aya LTSS ashirwa mu vyo gusubiza ivy'umutungo?

- Ikigo LTSS gifashwa na Leta Zunze Ubumwe za Amerika kica kiriha DSHS canke ikigo HCA iyo umaze gukwiza imyaka 55.
- Ibigo vya Leta ari vyo gisata DSHS canke HCA biraheza bikariha ku myaka iyo ari yo yose, kiretse:
  - Ibikorwa vyo gukingira abakuze,
  - Ibindi vyishyurwa vyiyongerako ni vy'umutekano vyemewe n'ubuyobozi bwitaho abagendana ubumuga,
  - Abakoze ivyaha basubira mu muryango utekanye w'abanyagihugu,
  - Ibikorwa vy'abakorerabushake, n'
  - Ibikorwa vya Porogarama y'Infashanyo y'Ugufashanya.

Ni ibihe biciro vy'ubuvuzi hamwe n'ivya LTSS bitarimwo mu gusubiza ivy'umutungo?

- Amafaranga ya HCA arihwa biciye muri Porogarama y'Ukuzigama ya Medicare ya Leta Zunze Ubumwe za Amerika.
- Ibiciro vy'ubuvuzi vya HCA iriha iyo nawe utaronse LTSS.
- Ibikorwa vy'Infashanyo Igenewe Abakuze (TSOA).

Ni ryari ugusubirana kw'itongo guteba?

- Iyo uwo mwubakanye aguma akuba hafi agufasha mu tuntu n'utundi,
- Mu gihe ufise umwana asigaye ari munsi y'imyaka 21,
- Mu gihe ufise umwana yasigaye yari impumyi canke agendana ubumuga igihe wapfa, canke
- Mu kiringo c'ingorane zitari zitezwe, iyo umuragwa yerekanye ko ingorane zitabavuyeko zabandanije hanyuma n'igisata DSHS kikavyemeza.

Ni ryari igisata DSHS coshobora kwemera ingorane kitari citeze?

- Iyo Gusubiza bituma umuragwa aca abura aho aba kandi ntibashobora kuronka ubundi buhungiro,
- Umutungo ni co kintu conyene gitanga inyungu c'umuragwa, canke
- Usigarana n'umugenzi wo mu rugo yanditswe na Leta.

Mbega hoho bimeze gute mu gihe uba mu kigo c'ubuvuzi kandi ukaba mu vy'ukuri utizeyo ko uzokira ngo usubire i muhira?

- Naho atari "Ugusubiza ivy'ubutunzi," igisata DSHS kirashobora gushiramwo ivy'ugufata imbere y'urupfu inzu yawe kubera Itegeko ry'Ukuroranya amakori hamwe n'Imitungo (TEFRA) ryo mu 2005.
- Itegeko ryemerera igisata DSHS gutanga dosiye y'inzu yawe imbere y'urupfu.
- Abantu bategerezwa kwishura amafaranga yo kwivuza ni bo bonyene bashobora gushirwako inzu yabo imbere y'urupfu.
- Iyo igisata DSHS gifise ibijanye n'ugufata inzu yawe ukayigurisha, DSHS izogusubiza amafaranga y'ubuvuzi n'aya LTSS mu mahera azovamwo.
- Igisata DSHS ntikizotanga dosiye yo gufata inzu yawe iyo uwo mwubakanye, uwo mwubanae mu rugo yanditswe na Leta, umwana atarashika ku myaka 21, canke umuvukanyi wawe asanzwe ahaba.
- Igisata DSHS kizotanga uwo muhora mu gihe usubiye i muhira.

Mbega bimeze gute mu gihe woba wipfuza ibindi bisobanuro?

- Hamagara ku murongo w'inyigisho z'amategeko, impanuro n'ugurungika (CLEAR) ku buntu kuri 1-888-201-1014.
- Iture umushingwamanza atahura amategeko agenga ivy'ugutegura ivy'ubutunzi be n'ivy'ugufasha mu vy'ubuvuzi.
- Soma "Ugusubiza umutungo kubera Ibikorwa vy'Ubuvuzi Vyishuwe na Leta" kuri www.washingtonlawhelp.org.
- Soma ibice 41.05A na 43.20B n'igice ca 182-527 WAC: https://app.leg.wa.gov/WAC/default.aspx?cite=182-527.
- Baza ku biro bijejwe kugaruza amatungo ya Leta kuri 800-562-6114.